www.kidworship.kr

# Dawidi na Yonatani

- Old Testament Ⅱ / 7th story -


54Page

**Uwuvuga** Amaze kunesha wa muhizi w'umufirisitiya Goliyati, Dawidi yaciye atwarwa kuba ku kirimba c'umwami Sauli. Umwami Sauli yarafise umuhungu yitwa Yonatani. Yonatani yarakunda cane umuhizi Dawidi. Yonatani na Dawidi bahera aho baba akadasohoka. Yonatani abarira Dawidi :

**Yonatani** Mugenzi wanje Dawidi, guhera ubu ugiye kuba umukunzi w'akaramata, akira iyi ngabire!

**Uwuvuga** Yonatani yiyambura umwambaro wiwe w'agaciro wamabara abana b'abami gusa awambika Dawidi. Yongera kandi aha Dawidi inkinzo, inkota n'umuheto n'umuknda vyiwe.

**Yonatani** "Reka dukundane mu Rukundo rw'Imana kandi ntihagire uwuzokwigera ahemukira uwundi."

**Dawidi** "Ego, ingo tubikore."

**Uwuvuga** Yonatani na Dawidi basezerana ko umwe wese azokunda uwundi nk'uko yikunda. Kuko bari incuti zishitse, Yonatani na Dawidi baritanaho cane.

---


55Page

**Uwuvuga** Umusi umwe umwami Sauli atabaruka ku rugamba ari kumwe na Dawidi. Abantu bari mu mabarabara barabashimagiza babaririmba..

**Abantu** "Umwami Sauli yishe ibihumbi ariko Dawidi yishe ibihumbi indiri!"

**Uwuvuga** Umwami Sauli arababara cane.

**Saúl** "Bigaragara ko abantu bashigikiye Dawidi kuko ari umunyabwenge n' umuhizi. Nkoriki? Aho Dawidi ntazohava aba umwami inyuma yanje? Ibi ntibizoshika! Umwami wa Isirayeli ni jewe gusa! Umuhungu wanje Yonatani niwe ategerezwa kunsubirira ku ngoma!"

---



56Page

**Uwuvuga** Igihe cose umwami Sauli yaboneka yijiriwe, Dawidi yaca avuza inanga akaririmba indirimbo. Umwami Sauli yaca yumva ameze neza. Ariko, uwo musi, Sauli aca atera icumu arabisha Dawidi aho yariko araririmba. Dawidi ararizibukira n'ingoga kugira ngo ntiyicwe.


57Page

**Dawidi** "Kuki umwami Sauli ariko arangirira ibi?"

**Uwuvuga** Dawidi ntiyigeze atahura igituma Sauli yamwanka. Sauli yari afise inzigo kuko abantu bakunda Dawid kumuruta. Arushiriza kwanka Dawidi urunuka.


58Page

**Uwuvuga** Umwami Sauli ashaka kugandagura Dawidi. Yonatani abimenye agirira Dawidi impungenge. Arya umutima amenyo atweruka kuganira na se, umwami Sauli.

**Yonatani** “Data, kuki uriko urageregeza kwica umugenzi wanje? Dawidi yarwanije Goliyati aramunesha, sivyo? Ni umuhizi kandi ni umusavyi wawe w’intahemuka.”

**Uwuvuga** Umwami Sauli aramaramara. Aca yemererara Yonatani ko atazongera guhiga Dawidi.

**Saúl** “Uvuze ukuri. Sinzokwigera ndamwica.”

---


59Page

**Uwuvuga** Ariko umusi umwe Dawidi ariko aravuza inanga, Sauli yongera kumutera icumu.
Dawidi ahengera mw’ijoro arahunga. Umwami Sauli amenya ko Dawidi yahunze.

**Saúl** “Dawidi ari hehe?”


**Umusuku** “Yahungiye ahantu kure!”


**Uwuvuga** Umwami Sauli ntiyanezerwa n’uko Yonatani yafashije Dawidi, aca ararakara cane.

**Uwuvuga** Arengewe n’ishavu, umwami Sauli arungika ingabo ziwe gukurikira Dawidi.

**Sauli** “Ari hehe Dawidi? Mukurikire mumugarukane vyihuta! Ntegerezwa kumwica!”

---


60Page


61Page

**Uwuvuga** Igihe umwami Sauli yariko ategura kugandagura Dawidi, Yonatani yanyegeje Dawidi inyuma y’isenga rinini ry’ibuye.

**Dawidi** “Yonatani, kuki so wawe umwami Sauli ariko aragerageza kunyica? Ni ikihe kibi nakoze?”

**Yonatani** “Dawidi, ntuzopfa. Naho data ariko aragerageza kukwica, nzogufasha guhunga.”

**Uwuvuga** Naho Sauli yanka urunuka Dawidi, Dawidi ntiyashobora kwanka Yonatani . Yonatani aja aho Dawidi yinyegeje aramubarira.

**Yonatani** “Dawidi, nibaza ko data ariko aragerageza kugushaka ngo akwice. Utegerezwa guhunga.”

**Uwuvuga** Dawidi na Yonatani baragumbirana bararira. Umwanya urashika wo kugenda. Ariko aba babiri bagumira ari incuti nyakuri.